REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

**DECRET N°100/ 049 DU 27 AVRIL 2022 PORTANT MODIFICATION DU DECRET N°100/119 DU 07 JUILLET 2008 PORTANT CREATION, ORGANISATION ET FONCTIONNEMENT DE L'AUTORITE DE REGULATION DES MARCHES PUBLICS (ARMP)**

---

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi n°1/04 du 29 janvier 2018 portant Code des Marchés Publics du Burundi ;

Vu le Décret-loi n° 01/024 du 13 juillet 1989 portant Cadre Organique des Administrations Personnalisées de l'Etat ;

Vu le Décret n°100/196 du 15 septembre 2016 portant Dispositions Complémentaires de Gouvernance des Etablissements Publics à Caractère Administratif, des Administrations Personnalisées de l'Etat et des Sociétés à Participation Publique ;

Vu le Décret n° 100/007 du 28 juin 2020 portant Révision du Décret n°100/037 du 19 avril 2018 portant Structure, Fonctionnement et Missions du Gouvernement de la République du Burundi ;

Vu le Décret n°100/069 du 24 septembre 2020 portant Missions, Organisation et Fonctionnement du Ministère des Finances, du Budget et de la Planification Economique ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

**ITEGEKO INOMERO 100/049 RYO KU WA 27 NDAMUKIZA 2022 RIHINDURA ITEGEKO INOMERO 100/119 RYO KU WA 07 MUKAKARO 2008 RISHINGA URWEGO RUJEJWE GUSUZUMA IVYEREKEYE AMASOKO YA RETA, INGENE RUTUNGANIJWE N'INGENE RUKORA (ARMP)**

---

UMUKURU W'IGIHUGU,

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 29 Nzero 2018 rishinga Igitabu c'Amategeko agenga Amasoko ya Reta mu Burundi ;

Yihweje Itegeko-Bwirizwa inomero 1/024 ryo ku wa 13 Mukakaro 1989 rishinga Amategeko agenga Ibisata vya Reta vyitunganiriza Ibijanye n'Intwaro n'Ubutunzi ;

Yihweje Itegeko inomero 100/196 ryo ku wa 15 Nyakanga 2016 rishinga Ingingo zunganira Ingingo zerekeye itunganywa ry'Amashirahamwe ya Reta adafise intumbero y'ukudandaza, Ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'Intwaro n'Ubutunzi n'Amashirahamwe Reta ifisemwo Imitahe ;

Yihweje Itegeko inomero 100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 risubiramwo Itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 19 Ndamukiza 2018 ritunganya Inzego za Reta y'Uburundi, ingene zikora n'Imirimo yazo ;

Yihweje Itegeko inomero 100/069 ryo ku wa 24 Nyakanga 2020 rishinga Imirimo y'Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta, no gutunganya Ubutunzi bw'Igihugu, ingene butunganijwe n'ingene bukora ;

Vu le Décret n°100/037 du 18 avril 2022 portant Modification du Décret n°100/123 du 11 juillet 2008 portant Création, Organisation et Fonctionnement de la Cellule de Gestion des Marchés Publics ;

Vu le Décret n°100/038 du 18 avril 2022 portant Création, Organisation et Fonctionnement de la Cellule Communale de Gestion des Marchés Publics ;

Vu le Décret n°100/048 du 22 avril 2022 portant Modification du Décret n° 100/120 du 08 juillet 2008 portant Création, Organisation et Fonctionnement de la Direction Nationale de Contrôle des Marchés Publics ;

Revu le Décret n°100/119 du 07 juillet 2008 portant Création, Organisation et Fonctionnement de l'Autorité de Régulation des Marchés Publics (ARMP) ;

Sur proposition du Ministre des Finances, du Budget et de la Planification Economique ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

DECRETE :

## CHAPITRE I : DE L'AUTORITE DE REGULATION DES MARCHES PUBLICS ET DE SON FONCTIONNEMENT

### Section 1 : De l'Autorité de Régulation des Marchés Publics

**Article 1 :**

Il existe au sein du Ministère ayant les Finances dans ses attributions, un établissement public à caractère administratif dénommé Autorité de Régulation des Marchés Publics, ARMP en sigle ci-après dénommée «l'Autorité de Régulation».

Yihweje Itegeko inomero 100/037 ryo ku wa 18 Ndamukiza 2022 rihindura Itegeko inomero 100/123 ryo ku wa 11 Mukakaro 2008 rishinga Umugwi ujejwe gutunganya Amasoko ya Reta, ingene utunganijwe, n'ingene ukora ;

Yihweje Itegeko inomero 100/038 ryo ku wa 18 Ndamukiza 2022 rishinga Umugwi wo mw'Ikomine ujejwe gutunganya Amasoko ya Reta, ingene utunganijwe n'ingene ukora ;

Yihweje itegeko inomero 100/048 ryo ku wa 22 Ndamukiza 2022 rihindura Itegeko inomero 100/120 ryo ku wa 8 Mukakaro 2008 rishinga Ubuyobozi bujejwe gusuzuma ivyerekeye Amasoko ya Reta mu Gihugu, ingene butunganijwe n'ingene bukora ;

Asubiye kwihweza Itegeko inomero 100/119 ryo ku wa 07 Mukakaro 2008 rishinga Urwego rujejwe gusuzuma Amasoko ya Reta (ARMP) mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa, ingene rutunganijwe, n'ingene rukora ;

Bishikirijwe n'Umushikiranganji w'Ikigega ca Reta, no gutunganya ubutunzi bw' igihugu ;

Inama Nshikiranganji imaze kuvyihweza ;

ASHINZE :

## IGICE CA I : IBIJANYE N'URWEGO RUJEJWE GUCUNGERA IVYEREKEYE AMASOKO YA RETA, INGENE RUTUNGANIJWE N'INGENE RUKORA

### Agace ka 1 : Ibijanye n'Urwego rujejwe gucungera ivyerekeye Amasoko ya Reta

**Ingingo ya 1 :**

Mu Bushikiranganji bujejwe Ikigega ca Reta, hariho Igisata ca Reta kidafise intumbero y'ukudandaza citwa Urwego Rujejwe Gucungera Ivyerekeye Amasoko ya Reta, ARMP mu mpfunyapfunyo y'Igifaransa, muri iri Tegeko rwiswe «Urwego Rujejwe Gucungera».

**Article 2 :**
L'Autorité de Régulation est dotée d'une personnalité juridique ainsi que d'une autonomie administrative et financière.

Son siège est fixé à Bujumbura. Il peut être transféré à toute autre localité sur le territoire national.

**Section 2 : De l'organisation de l'Autorité de Régulation**

**Article 3 :**
L'Autorité de Régulation est organisée en Conseil de Régulation et en Direction Générale.

**Article 4 :**
Le Conseil de Régulation est un organe de décision et la Direction Générale, un organe de gestion.

**CHAPITRE II : DES MISSIONS ET DES ATTRIBUTIONS DE L'AUTORITE DE REGULATION DES MARCHES PUBLICS**

**Article 5 :**
L'Autorité de Régulation a pour mission d'assurer la régulation du système de passation des marchés publics.

**Article 6 :**
La mission de régulation est menée également à travers le développement d'un cadre professionnel, l'évaluation des performances des acteurs du système de passation, de l'exécution et de contrôle des marchés publics, la réglementation non juridictionnelle des litiges nés à l'occasion de la passation des marchés publics et éventuellement les sanctions des irrégularités constatées.

Plus particulièrement, l'Autorité de Régulation est chargée de :

**Ingingo ya 2 :**
Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ru riserukira imbere y'amategeko kandi ruritunganiriza ibijanye n'intwaro n'ubutunzi.

Icicaro c'urwo Rwego kiri i Bujumbura. Kirashobora kwimurirwa ahandi aho ariho hose mu Burundi.

**Agace ka 2 : Ingene Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rutunganijwe**

**Ingingo ya 3 :**
Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rugizwe n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera n'Ubuyobozi bukuru.

**Ingingo ya 4 :**
Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ni urwego rufata ingingo, Ubuyobozi bukuru na bwo bujejwe gutunganya Urwego.

**IGICE CA II : IBIJANYE N'IMIRIMO Y'URWEGO RUJEJWE GUCUNGERA IVYEREKEYE AMASOKO YA RETA N'IVYO RUSHINZWE**

**Ingingo ya 5 :**
Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rufise umurimo wo gucungera uburyo Amasoko ya Reta atangwa.

**Ingingo ya 6 :**
Umurimo w'ugucungera ivyerekeye amasoko urangurwa kandi biciye mu gushiraho uburyo bwo guhuza abakorera mu gisata c'Amasoko ya Reta, mu gusuzuma ingene ibikorwa vy'abafise uruhara mu bijanye n'ugutanga Amasoko ya Reta bitera imbere, ibijanye n'ugushira mu ngiro n'ugusuzuma Amasoko ya Reta, ugutatura bidaciye mu butungane amatati yaduka avuye kw'itangwa ry'Amasoko ya Reta no gushobora gutanga ibihano ku vyakozwe bidakurikije amategeko.

Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rujejwe cane cane ibi bikurikira :

1. veiller, par des études et avis réguliers, à la bonne application de la réglementation et des procédures relatives aux marchés publics et de proposer au Gouvernement et aux institutions en charge des marchés publics et délégations de services publics, des recommandations ou des propositions de nature à améliorer et renforcer l'efficience du système des marchés publics ;

2. élaborer, mettre à jour et diffuser avec l'appui de la Direction Nationale de Contrôle des Marchés Publics (DNCMP), les ministères techniques concernés, les organisations professionnelles, les documents types, les manuels de procédures, guides d'évaluation et progiciels appropriés ;

3. collecter, mettre à jour et diffuser avec l'appui de la Direction Nationale de Contrôle des Marchés Publics (DNCMP), en vue de la constitution d'une banque de données, la documentation et les statistiques sur l'attribution, l'exécution et le contrôle des marchés publics. A cet effet, l'Autorité de Régulation reçoit des autorités contractantes, les copies des avis, les autorisations, les procès-verbaux, les rapports d'analyse des marchés et tout rapport d'activités dont elle assure la tenue et l'archivage ;

4. évaluer périodiquement les capacités des organes de passation et de contrôle des marchés publics, ainsi que les procédures et les pratiques suivies dans la passation des marchés publics ;

1. kwitwararika, biciye mu vyigwa n'ivyiyumviro bija birashikirizwa, ko amategeko n'ibikurikizwa bijanye n'Amasoko ya Reta bishirwa mu ngiro neza no gushikiriza Reta n'ibisata bijejwe gutanga Amasoko ya Reta no kuyasuzuma, ivyo rusaba ko vyokorwa canke ivyiyumviro vyotuma ibijanye n'Amasoko ya Reta birushirizaho gukorwa neza kandi bishinga imizi ;

2. gutegura, kujanisha n'ibihe no kumenyekanisha, rubifashijwemwo n'Ubuyobozi Bukuru bujejwe Amasoko ya Reta hamwe n'Ubushikiranganji vyerekeye n'amashirahamwe abifisemwo ubuhinga, inyandiko zivyerekeye hamwe n'indinganizo imashini nyabwonko zikoresha ijanye n'ivyo bikorwa ;

3. gutororokanya, kujanisha n'ibihe no kumenyekanisha, rubifashijwemwo n'Ubuyobozi bujejwe gusuzuma Amasoko ya Reta mu Gihugu, mu ntumbero y'ugushiraho ububiko bw'ibitororokanywa, inzandiko n'ibiharuro vyerekeye itangwa, ishirwa mu ngiro n'isuzuma ry'Amasoko ya Reta. Kubera ivyo, Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rurahabwa n'Inzego zihagararira Reta mu kugira amasezerano, ikopi z'ivyiyumviro vyashikirijwe, impusha zatanzwe, ivyegeranyo, icegeranyo cerekana uko isuzuma ry'amasoko ryagenze n'ikindi cegeranyo ico ari co cose c'ivyaranguwe urwo Rwego rushinzwe gutunganya no gushingura mu bubiko bw'inzandiko zerekeye Amasoko ya Reta ;

4. kuraba ku bihe bitegekanijwe urugero ubushobozi bw'ibisata bijejwe gutanga no gusuzuma Amasoko ya Reta bugezeko, hamwe n'ingene ibikurikizwa n'ibisanzwe bikorwa vyerekeye itangwa ry'Amasoko ya Reta bimeze ;

5. initier des programmes de formation, d'information et de sensibilisation des opérateurs économiques et des institutions concernées par les marchés sur le cadre légal et institutionnel de la passation des marchés publics, à travers notamment la publication régulière dans un journal Officiel des Marchés Publics, les textes législatifs et réglementaires, ainsi que les bonnes pratiques qui intéressent les marchés publics ;

6. contrôler des procédures de certification des entreprises et participer à l'élaboration des normes et des spécifications techniques, applicables aux marchés publics ;

7. assurer par le biais d'audits indépendants le contrôle a posteriori de la passation et de l'exécution des marchés. L'Autorité de Régulation procède notamment à la fin de chaque exercice budgétaire à la commande d'un audit indépendant sur un échantillon aléatoire de marchés, et transmet aux autorités compétentes les cas de violation constatés aux dispositions légales et réglementaires en matière de passation, d'exécution et de contrôle des marchés publics ;

8. initier sur base d'une demande ou d'une information émanant de toute personne Intéressée, des enquêtes sur la transparence et sur la régularité de la procédure suivie dans la passation et l'exécution des marchés au regard des législations et réglementations nationales et internationales des procédures de passation ainsi que des conditions d'exécution des marchés publics ;

9. infliger des sanctions prévues par le Code des marchés publics contre des soumissionnaires et titulaires de marché, en cas de violation de loi ;

5. gushiraho imigambi y'ukwigisha, iy'ukumenyesha n'iy'ukwumvisha abagwizatunga n'ibisata vyerekewe n'Amasoko ya Reta ibijanye n'amategeko yerekeye itangwa ry'Amasoko ya Reta n'inzego zibijejwe, biciye cane cane mukuja haratangazwa mu Kinyamakuru c'Amasoko ya Reta, amabwirizwa n'amategeko, hamwe n'uburyo bwiza bw'ugukora ibijanye n'Amasoko ya Reta ;

6. gusuzuma ibikurikizwa mu kwemeza amashirahamwe ahiganira amasoko no kugira uruhara mu gutegura ibifatirwako n'ibiranga ubuhinga, bikurikizwa ku masoko ya Reta ;

7. gusuzuma, amasoko amaze gutangwa, biciye mu masuzuma agirwa n'abahinga bigenga, itangwa ry'amasoko n'ishirwa mu ngiro ryayo. Kubera ivyo, Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rurasaba ko hagirwa, uko umwaka Reta itegekanya gukoreshamwo amafaranga uheze, isuzuma ry'abahinga bigenga ry'amasoko atorwa mu yandi ata gifatiweko kandi rugashikiriza inzego zibifitiye ububasha ivyo rwabonye vyakozwe harenzwe ku bitegekanijwe n'amabwirizwa n'amategeko yerekeye itangwa, ishirwa mu ngiro n'isuzuma ry'Amasoko ya Reta ;

8. gukora, rufatiye ku vyasabwe canke ku nkuru zatanzwe n'umuntu wese abifisemwo inyungu, amatohoza y'ukuraba ko ivyakurikijwe mu gutanga no mugushira mu ngiro Amasoko ya Reta vyakozwe ku mu garagaro kandi ko vyakurikije amategeko hafatiwe ku mabwirizwa n'amategeko y'igihugu na mpuzamakungu yerekeye ibikurikizwa mu gutanga amasoko, hamwe n'ingene Amasoko ya Reta ashirwa mu ngiro ;

9. gushinga no guha ibihano bitegekanijwe n'Igitabu c'amategeko agenga Amasoko ya Reta abahiganira n'abatsindiye Amasoko ya Reta mu gihe barenze amategeko ;

10. statuer sur les recours exercés par les candidats, soumissionnaires et titulaires de marchés ;

11. s'autosaisir des violations de la réglementation en matière de marchés publics ;

12. tenter de concilier les parties en conflit en rapport avec les marchés publics avant de statuer sur le litige ;

13. dénoncer aux autorités compétentes les cas de violations de la législation constatés qui ne sont pas de sa compétence ;

14. jouer le rôle de point focal et de servir de courroie de transmission entre la République du Burundi et tout organe ou institution international, régional, communautaire compétent en matière des marchés publics par un traité auxquels le Burundi fait partie ;

15. diligenter des investigations sur les violations à la législation internationale, régionale, communautaire sur les marchés publics à la requête de ladite institution, qu'elle ait été commise sur le territoire de la République du Burundi ou sur le territoire d'un Etat partie au Traité ou à la Convention, par une entreprise domiciliée au Burundi ;

16. participer aux réunions internationales, régionales ou communautaires ayant trait aux marchés publics et entretenir des relations de coopérations techniques avec les organismes internationaux, régionaux et communautaires agissant en matière des marchés publics ;

10. gufata ingingo ku vyo rwashikirijwe n'abipfuza guhiganira isoko, abahiganira isoko n'abatsindiye amasoko ;

11. kwibwiriza gukurikirana ivyakozwe harenzwe amategeko yerekeye Amasoko ya Reta ;

12. kugerageza kwumvikanisha abafitaniye amatati ajanye n'Amasoko ya Reta imbere y'ugufata ingingo kuri ayo matati ;

13. gushikiriza inzego zibifitiye ububasha ivyo rwabonye ko biciye kubiri n'amategeko ariko rutabifitiye ububasha ;

14. gukurikiranira hafi ivyerekeye amasoko kw'izina rya Reta no kwunga imigenderanire hagati y'inzego z'igihugu zishinzwe ivyerekeye Amasoko ya Reta n'urwego urwo arirwo rwose canke igisata ico ari co cose co ku rwego mpuzamakungu, rw'akarere Uburundi burimwo canke igisata co kurwego rw'ishirahamwe ryo mu karere Uburundi burimwo gifise ububasha mu vyerekeye Amasoko ya Reta, biciye ku masezerano mpuzamakungu Uburundi burimwo ;

15. gukora vyihuta itohoza ku vyakozwe harenzwe amategeko mpuzamakungu, ay'akarere, ay'ishiramwe ryo mu karere Uburundi burimwo yerekeye Amasoko ya Reta, bisabwe n'igisata co kuri urwo rwego gifise ububasha muvyerekeye amasoko, vyaba vyakorewe ku gataka k'Uburundi canke ku gataka k'igihugu kiri mu Masezerano mpuzamakungu Uburundi burimwo, bikaba vyakozwe n'ishirahamwe rikorera mu Burundi ;

16. kuja mu nama mpuzamakungu, iz'akarere n'iz'ishirahamwe ryo mu karere Uburundi burimwo, zerekeye Amasoko ya Reta no kwunga no gukomeza imigenderanire y'ugufashanya mu vy'ubuhinga n'amashirahamwe mpuzamakungu, ay'akarere n'ay'ishirahamwe ryo mu karere Uburundi burimwo akora mu vyerekeye Amasoko ya Reta ;

17. transmettre au Gouvernement par l'intermédiaire du Ministre ayant les Finances dans ses attributions, à l'Assemblée Nationale, au Sénat, à la Cour des Comptes, un rapport annuel sur l'efficacité et la fiabilité du système de passation, d'exécution et de contrôle des marchés publics, assorti des recommandations susceptibles de l'améliorer ;

18. accomplir toute autre mission relative aux marchés publics qui lui est confiée par le Gouvernement.

## CHAPITRE III : DE LA COMPOSITION ET DU FONCTIONNEMENT DE L'AUTORITE DE REGULATION

**Article 7 :**
L'Autorité de Régulation est composée du Conseil de Régulation et de la Direction Générale.

### Section 1 : Du Conseil de Régulation

**Article 8 :**
Le Conseil de Régulation comprend le Comité de Règlement des Différends et la Commission Disciplinaire.

**Paragraphe 1 : Des missions, de la composition et du fonctionnement du Conseil de Régulation**

**Article 9 :**
Le Conseil de Régulation dispose des pouvoirs les plus étendus pour administrer l'Autorité de Régulation, définir et orienter sa politique générale et évaluer sa gestion dans les limites fixées par son statut.

17. gushikiriza, biciye ku Mushikiranganji ajejwe Ikigega ca Reta, Reta, Inama Nshingamateka, Inama Nkenguzamateka, Sentare isuzuma ikongera igakurikirana ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa, icegeranyo co ku mwaka ku mwaka cerekana nimba ibijanye n'ugutanga Amasoko ya Reta, ukuyashira mu ngiro n'ukuyasuzuma bikorwa neza kandi ku buryo bwizewe, ico cegeranyo kikaba kirimwo ibisabwa ko vyokorwa bishobora gutuma ivyerekeye amasoko birangurwa neza gusumba ;

18. kurangura uwundi murimo uwo ariwo wose werekeye Amasoko ya Reta, Reta yoshinga urwo Rwego.

## IGICE CA III : ABAGIZE URWEGO RUJEJWE GUCUNGERA N'INGENE RUKORA

**Ingingo ya 7 :**
Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rugizwe n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera n'Ubuyobozi Bukuru.

### Agace ka 1 : Ibijanye n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera

**Ingingo ya 8 :**
Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera igizwe n'Umugwi ujejwe gutatura amatati hamwe n'Umugwi ujejwe gufata ibihano.

**Agahimba ka 1 : Imirimo y'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera, abayigize n'ingene ikora**

**Ingingo ya 9 :**
Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ifise ububasha bwose mu kurongora Urwego rujejwe gucungera, gushiraho no guha intumbero poritike y'urwo Rwego mu gucungera ivyerekeye amasoko muri rusangi no gusuzuma ingene rutunganya imirimo rujejwe hisunzwe ibitegekanijwe mu mategeko ngenderwako yarwo.

**Article 10 :**
Dans l'exercice de ses missions, le Conseil de Régulation est chargée notamment de :

1. définir les orientations générales à être suivies par l'Autorité de Régulation dans la réalisation de ses missions ;
2. examiner et approuver chaque année le programme d'activités de l'Autorité de Régulation proposée par la Direction Générale ;
3. recevoir de la Direction Générale, des rapports circonstanciés annuels et tous autres rapports pour évaluation ;
4. évaluer périodiquement le suivi des orientations et le niveau des réalisations des objectifs de l'Autorité de Régulation ;
5. ordonner, sur proposition du Directeur Général, des enquêtes, des contrôles et des audits ;
6. adopter le budget, arrêter de manière définitive les comptes et états financiers annuels ainsi que des rapports d'activités, et en transmettre copie à la Cour des Comptes ;
7. adopter le Règlement d'Ordre Iintérieur de l'Autorité de Régulation, l'organigramme, les manuels de procédures internes, administratives, financières, comptables et de recrutement et de gestion des ressources humaines, le statut administratif et pécuniaire du personnel de la Direction Générale et des Directions Techniques, et fixe le montant de la rémunération des observateurs indépendants sur proposition de la Direction Générale ;

**Ingingo ya 10 :**
mu kurangura imirimo ijejwe, Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ishinzwe cane cane ibi bikurikira :

1. gushiraho intumbero nyamukuru zikurikizwa n'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera mu kurangura imirimo rushinzwe ;
2. kwihweza no kwemeza ku mwaka ku mwaka indinganizo y'ibikorwa birangurwa n'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ishikirizwa n'Ubuyobozi bukuru ;
3. kwakira ivyegeranyo vyo ku mwaka ku mwaka vyerekeye ivyaranguwe n'Ubuyobozi Bukuru n'ibindi vyegeranyo vyose kugira ibisuzume ;
4. kuja irasuzuma ku bihe bizwi ko intumbero zakurikijwe n'urugero amahangiro y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera agezeko mu gushirwa mungiro ;
5. gutegeka, bisabwe n'Umuyobozi Mukuru, ko hagirwa amatohoza, amasuzuma, asanzwe n'ayagirwa n'abahinga ;
6. kwemeza amafaranga ategekanywa gukoreshwa, kwemeza burundu amakonte n'uko ikigega cifashe ku mwaka ku mwaka hamwe n'ivyegeranyo vy'ivyaranguwe no kurungikira ikopi zavyo Sentare Icungera Amatungo ya Reta ;
7. kwemeza Amategeko Ntunganyabikorwa y'Urwego rujejwe gucungera, igicapo cerekana ingene ruringanijwe, ibitabu bitanga intumbero z'ingene ibintu birangurwa mu Rwego rujejwe gucungera, ibijanye n'intwaro, ikigega, uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka n'ukwinjiza abakozi mu kazi, ingene ivyerekeye abakozi bo mu Buyobozi Bukuru no mu Buyobozi bujejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko bitunganijwe, amategeko ngenderwako y'abakozi n'imishahara yabo, rukongera rugashinga agahembo k'abarorerezi bigenga bishikirijwe n'Ubuyobozi Bukuru ;

8. accepter tous dons, legs et subventions dans le respect des dispositions du Code d'Ethique ;

9. autoriser la participation de l'Autorité de Régulation dans des associations, groupements ou autres organismes professionnels, dont l'activité est liée à ses missions et mettre fin à de telles participations ;

10. valider les décisions du Comité de Règlement des Différends et de la Commission Disciplinaire dans le respect des délais prévus par le Code des Marchés Publics.

Le Conseil de Régulation peut déléguer certains de ses pouvoirs au Directeur Général qui rend compte de l'utilisation de ladite délégation.

**Article 11 :**
Le Conseil de Régulation est un organe bipartite de six (6) membres représentant l'administration publique et le secteur privé.

Il est composé comme suit :

1. un représentant du Ministère ayant les Finances dans ses attributions ;
2. le Directeur Général de l'Autorité de Régulation qui assure le secrétariat du Conseil ;
3. un représentant du Ministère de la Justice ;
4. un représentant du Ministère ayant le Commerce dans ses attributions ;
5. deux représentants des organisations professionnelles du secteur privé représentatives des opérateurs économiques des secteurs des bâtiments et travaux publics, du commerce et des services ;

8. kwakira ingabire zose, ibisigi n'imfashanyo hubahirijwe ibitegekanijwe n'amategeko agenga akarangamutima-kajanye n'imico myiza ;

9. kwemerera Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera kuja mu mashirahamwe, imigwi n'ayandi mashirahamwe akora ibijanye n'imirimo y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera no guhagarika ubwo burenganzira bwo kuba mw'ishirahamwe kanaka ;

10. kwemeza ingingo z'Umugwi ujejwe gutatura amatati n'iz'Umugwi ujejwe gutanga ibihano hubahirijwe ibiringo bitegekanijwe n'Igitabu c'Amategeko agenga Amasoko ya Reta.

Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera irashobora guha ububasha bwayo bumwe bumwe Umuyobozi Mukuru akayishikiriza icegeranyo c'ingene yakoresheje ubwo bubasha.

**Ingingo ya 11 :**
Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ni urwego rugizwe n'abantu batandatu baserukira ibisata bibiri, na vyo akaba ari ibisata vya Reta n'igisata c'abikorera utwabo.

Urwo rwego rugizwe n'aba bakurikira :

1. Uwuserukira Ubushikiranganji bujejwe Ikigega ca Reta ;
2. Umuyobozi Mukuru w'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ivyerekeye Amasoko ya Reta, akaba ari nawe Munyamabanga w'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ;
3. uwuserukira Ubushikiranganji bw'Ubutungane ;
4. uwuserukira Ubushikiranganji bw'Ubudandaji ;
5. abantu babiri baserukira amashirahamwe yo mu gisata c'abikorera utwabo afise uruhara ruhambaye mu bagwizatunga bakorera mu gisata c'ukwubaka, ibikorwa vyerekeye ineza ya bose, ubudandaji n'ukurangurira abandi ubuzi ;

**Article 12 :**
Les membres du Conseil de Régulation sont choisis parmi les personnes de bonne moralité et professionnellement compétentes.

**Article 13 :**
Les organisations représentatives du secteur privé proposent elles-mêmes leurs représentants pour nomination.

**Article 14 :**
Les membres du Conseil sont nommés par décret sur proposition du Ministre ayant les Finances dans ses attributions pour un mandat de trois ans.

**Article 15 :**
Le mandat des membres du Conseil de Régulation prend fin, soit par l'expiration normale de son terme, soit par absence, soit par démission, soit par décès soit encore par la perte de la qualité qui avait motivé la nomination. Il prend également fin par révocation par l'autorité de nomination.

En cas de décès en cours de mandat ou dans toutes les hypothèses où un membre n'est plus en mesure d'exercer son mandat, il est pourvu à son remplacement dans les mêmes conditions qui ont présidées à sa nomination pour la période restant à courir.

**Article 16 :**
Le Bureau du Conseil de Régulation est composé d'un président et de deux (02) vice- présidents issus des trois composantes du Conseil et élus par leurs pairs et du Directeur Général qui est d'office Secrétaire du Conseil.

La présidence du Conseil est tournante chaque année.

**Ingingo ya 12 :**
Abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera batorwa mu bantu bigenza neza kandi bashoboye ibikorwa vyerekeye amasoko.

**Ingingo ya 13 :**
Amashirahamwe afise uruhara ruhambaye aserukira igisata c'abikorera utwabo niyo yitorera abayaserukira kugira bagenwe.

**Ingingo ya 14 :**
Abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu bashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Reta, bakamara muri ayo mabanga ikiringo c'imyaka itatu.

**Ingingo ya 15 :**
Ikiringo abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bamara muri ayo mabanga kirangira hageze ko gihera nk'uko bisanzwe bitegekanijwe, haba bivuye kukutitaba inama, kugutanga imihoho, apfuye canke atakaje akaranga katumye agenwa ngo aje muri ayo mabanga. Ikiringo kirangira kandi umutegetsi yamugenye amubogoje.

Igihe uwuri mu bagize Inama apfuye ikiringo kitararangira canke no mu bindi bihe vyose uwuri mu bagize Inama atagishoboye kurangura amabanga ashinzwe, arasubirizwa hakurikijwe ivyari vyisunzwe mu kumutora kugira aheraheze ikiringo cari gisigaye.

**Ingingo ya 16 :**
Ibiro vy'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bigizwe n'Umukuru w'Inama n'Ivyegera bibiri vy'Umukuru w'Inama bava mu bisata bitatu bigize Inama baba batowe n'abo bari kumwe muri iyo Nama hamwe n'Umuyobozi Mukuru, ari we aca aba Umunyamabanga w'Inama.

Umukuru w'Inama yama ahindurwa ku mwaka ku mwaka.

**Article 17 :**
Les membres du Conseil de Régulation remplissent leurs missions en toute impartialité et indépendance, et sont tenus au secret de délibération et de décision.

Sous réserve des dispositions pertinentes du Code pénal, les membres du Conseil de Régulation ne peuvent pas être, recherchés, arrêtés, poursuivis, ou jugés pour des actes accomplis, des mesures prises, des opinions ou des votes émis dans l'exercice de leurs fonctions.

**Article 18 :**
Hors le cas où ils sont appelés en justice et celui où la loi oblige à faire connaître ses secrets, les membres du Conseil de Régulation sont tenus au secret professionnel pour les informations, faits, actes et renseignements dont ils ont connaissance dès leur entrée en fonction.

Ils sont également tenus dès leur entrée en fonction et à la fin de celle-ci de faire sur l'honneur une déclaration écrite adressée au Président de la Cour des Comptes de leur patrimoine.

**Article 19 :**
Excepté les représentants du secteur privé et ceux de la Société Civile, les fonctions de membres du Conseil de Régulation sont incompatibles avec toute relation d'intérêt direct ou indirect avec les entreprises soumissionnaires des marchés publics.

En tout état de cause, les membres du Conseil de Régulation ne peuvent pas être dans une situation de conflit d'intérêt par rapport à leurs missions.

**Article 20 :**
Lorsque le Conseil de Régulation examine des questions liées aux entreprises qu'il représente ou dans lesquelles il a des intérêts, le membre issu du secteur privé dont l'impartialité peut être sujette à caution ne peut pas participer aux délibérations.

**Ingingo ya 17 :**
Abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera barangura imirimo bashinzwe ata guhengama kandi mu bwigenge, kandi bategerezwa kugumya ibanga ku vyerekeye ivyiyumviro vyahanahanywe n'ingingo zafashwe.

Hatirengagijwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko mpanavyaha bivyerekeye, abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ntibashobora kuronderwa, gufatwa, gukurikiranwa canke ngo bacirwe urubanza kubera ivyo bakoze, ivyiyumviro bashikirije canke uko batoye bariko bararangura imirimo bashinzwe.

**Ingingo ya 18 :**
Kiretse iyo bahamagawe gusura muri sentare n'iyo amategeko abategeka kumenyesha amabanga y'akazi bafise, abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bategerezwa kugumya amabanga y'akazi mu bijanye n'inkuru, ivyabaye, ivyakozwe n'ivyo batohoje bari mu kazi canke kubera amabanga bashinzwe.

Bategerezwa kandi, bagitangura imirimo bashinzwe n'iyo bayirangije, gushikiriza mukuri, urwandiko rwerekana amatungo yabo Umukuru wa Sentare Icungera Amatungo ya Reta.

**Ingingo ya 19 :**
Kiretse abaserukira abikorera utwabo n'abaserukira amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, imirimo y'abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ntirangurwa n'umuntu afise inyungu ubwiwe canke biciye mu bundi buryo mu mashirahamwe ahiganira Amasoko ya Reta.

Uko biri kwose, abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ntibashobora kugira inyungu zitabangikana n'iyo mirimo baba bashinzwe.

**Ingingo ya 20 :**
Igihe Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera iriko irihweza ibibazo vyerekeye amashirahamwe uwuri mu bagize iyo Nama aserukira canke afisemwo inyungu, biboneka ko ashobora guhengama, ntashobora kuja mu bihweza ivyo bibazo.

## Paragraphe 2 : Du Comité de Règlement des Différends

**Article 21 :**
Le Comité de Règlement des Différends est un des sous-organes du Conseil de Régulation. Il est composé de trois membres dont un représentant de l'administration publique, un représentant issu du secteur privé et un représentant de la société civile désignés par le Conseil de Régulation parmi ses membres.

Le représentant du Ministère ayant la justice dans ses attributions représente l'administration publique dans ce Comité.

La réunion du Comité de Règlement des Différends ne se tient que lorsque tous les membres sont présents.

La présidence du Comité est exercée par un des deux vice-présidents du Conseil de Régulation.

**Article 22 :**
Lorsque le Comité de Règlement des Différends examine des réclamations ou des recours concernant des entreprises dans lesquelles l'un des membres a intérêt, ce dernier est remplacé sur décision du président du Conseil de Régulation. En aucun cas, un membre de l'administration ne pourra remplacer celui de la société civile ou du secteur privé et vice-versa.

## Agahimba ka 2 : Ibijanye n'Umugwi ujejwe gutatura amatati

**Ingingo ya 21 :**
Umugwi ujejwe gutatura amatati ni rumwe mu nzego zigize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera. Ugizwe n'abantu batatu, uwuserukira Ibisata vya Reta, uwuserukira igisata c'abikorera utwabo n'uwuserukira amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike bagenwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ikabatora mu bayigize.

Uwuserukira Ubushikiranganji bw'Ubutungane ni we aserukira ibisata vya Reta muri uwo mugwi.

Inama y'Umugwi ujejwe gutatura amatati iba ari uko abagize Inama bose ariho bari.

Uwurongora Umugwi ni umwe mu vyegera vy'Umukuru w'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera.

**Ingingo ya 22 :**
Igihe Umugwi ujejwe gutatura amatati uriko urihweza ivyo amashirahamwe yasavye gutunganirizwa canke ingingo yasavye ko zisubirwamwo, hakaba hari umwe mu bagize Umugwi afisemwo inyungu muri ayo mashirahamwe, aca asubirizwa bishinzwe n'Umukuru w'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera. Ntanarimwe uwuserukira ibisata vya Reta ashobora gusubirira uwuserukira amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike canke uwuserukira igisata c'abikorera utwabo, ni nk'uko atawuserukira amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike canke uwuserukira igisata c'abikorera utwabo asubirira uwusekura ibisata vya Reta.

**Article 23 :**
Le Comité de Règlement des Différends examine et statue sur les cas des irregularités dénoncées par les parties intéressées ou par toute personne ou encore constatées par l'Autorité de Régulation avant ou pendant la passation et lors de l'exécution des marchés.

**Article 24 :**
Lorsque les faits visés à l'article précédents sont caractéristiques des violations de la législation sur les marchés publics, et sont découverts antérieurement à l'attribution du marché, le Comité de Règlement des Différends s'en saisit et diligente des enquêtes qu'il juge d'opportun. Dans ce cas, la procédure de passation est suspendue jusqu'à la décision du Conseil de Régulation.

**Article 25 :**
Lorsque les faits visés à l'article 23 sont caractéristiques des violations de la législation sur les marchés publics, et sont découverts postérieurement à l'attribution du marché, le président du Comité saisit la Commission Disciplinaire. Si ces faits constituent une infraction, il dénonce lesdits faits aux organes compétents.

**Article 26 :**
Le Comité de Règlement des Différends analyse et statue dans les délais de dix jours sur des recours introduits auprès de l'Autorité de Régulation.

Ce recours invoque une violation de la législation sur les marchés publics ainsi que les principes généraux en la matière.

**Article 27 :**
Lorsque le Comité de Règlement des Différends est saisi, il tente d'abord de concilier les parties en conflit. En cas d'échec, il statue sur les violations constatées de la législation en matière des marchés publics.

**Ingingo ya 23 :**
Umugwi ujejwe gutatura amatati uriga u kongera ugafata ingingo ku vyakozwe hadakurikijwe amategeko vyashizwe ahabona n'ababifisemwo inyungu canke uwundi muntu wese canke naho vyabonywe n'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera imbere yuko isoko ritangwa canke ririko riratangwa no mu gihe riba rikiriko rirashirwa mu ngiro.

**Ingingo ya 24 :**
Igihe ibihejeje kuvugwa mu ngingo ya 23 vyerekena ko vyakozwe harenzwe amategeko agenga Amasoko ya Reta, bikamenyekana imbere yuko isoko ritangwa, Umugwi ujejwe gutatura amatati uca ufata ico kibazo mu minwe ugaca ugira amatohoza ubona ko akenewe. Muri ico gihe, ibikorwa vyose vyerekeye ugutanga amasoko birahagarikwa gushika Inama ijejwe ivyerekeye gucungera imaze gutomora ibitubahirije amategeko ivyo arivyo.

**Ingingo ya 25 :**
Igihe ibivugwa mu ngingo ya 23 biboneka ko vyakozwe harenzwe amategeko agenga Amasoko ya Reta, bikaba vyamenyekanye isoko rimaze gutangwa, Umukuru w'Umugwi aca abishikiriza Umugwi ujejwe gufata ibihano. Iyo ivyakozwe asanze ari ivyaha, aca abishikiriza inzego zibifitiye ububasha.

**Ingingo ya 26 :**
Umugwi ujejwe gutatura amatati urihweza ukongera ugafata ingingo mu kiringo c'iminsi icumi ku vyashikirijwe Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera.

Urwandiko rurimwo ibishikirizwa rurerekana ingingo itubahirijwe yo mu mategeko agenga amasoko hamwe n'ingingo zikurikizwa muri rusangi mu vyerekeye amasoko.

**Ingingo ya 27 :**
Igihe Umugwi ujejwe gutatura amatati wituwe, ubanza kugerageza kwumvikanisha abafise ivyo batumvikanako. Igihe batumvikanye, urafata ingingo ku vyakozwe hatubahirijwe amategeko yerekeye Amasoko ya Reta n'amategeko ajanye n'itunganywa ry'ivyerekeye Amasoko ya Reta.

Dans cette dernière éventualité, il prend toute mesure conservatoire, corrective, ou suspensive de la procédure de passation.

Les décisions du Comité de Règlement des Différends sont validées par le Conseil de Régulation dans les limites de temps imparti au Comité de Réglement des Différends pour statuer sur le recours dont il est saisi.

**Article 28 :**

Les décisions du Comité sont exécutoires. Elles sont définitives, sauf en cas de recours devant une juridiction compétente.

Le recours judiciaire n'est pas suspensif d'exécution de la décision. La juridiction saisie peut néanmoins ordonner la suspension de l'exécution de la décision si elle estime que la loi a été manifestement violée.

**Article 29 :**

Le Comité de Réglement des Différends statue sur les litiges entre les organes de l'administration intervenant dans le cadre de la procédure de passation des marchés publics dont elle a été saisie, selon les modalités et les délais définis à l'article 342 du Code des Marchés publics.

**Paragraphe 3 : De la Commission Disciplinaire**

**Article 30 :**

La Commission Disciplinaire est un des sous- organes du Conseil de Régulation.

Elle est composée de trois membres dont deux représentants de l'administration publique et un représentant issu du secteur privé désignés par le Conseil de Régulation parmi ses membres.

La réunion de la Commission Disciplinaire ne se tient que lorsque tous les membres sont présents.

La présidence de la Commission est exercée par le vice-président du Conseil qui ne préside pas le Comité de Règlement des Différends.

Mu gihe hatabaye ukwumvikana, Umugwi urafata ingingo zose z'ukubangira, ugukosora canke uguhagarika ibijanye n'itangwa ry'isoko.

Ingingo z'Umugwi ujejwe gutatura amatati zemezwa n'Inama y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera yubahirije ikiringo Umugwi ujejwe gutatura amatati wahawe kugira ufate ingingo kuvyo ashikirijwe.

**Ingingo ya 28 :**

Ingingo umurwi ufashe zirakurikizwa. Ni ntabanduka kiretse zitwariwe muri sentare ibifitiye ububasha.

Ukwitwara muri sentare ntibihagarika ishirwa mu ngiro ry'Ingingo yitwariwe. Ariko, Sentare yituwe irashobora guhagarika ishirwa mu ngiro ry'iyo ngingo iyo bigaragaye ko amategeko yarenzwe.

**Ingingo ya 29 :**

Umugwi ujejwe gutatura amatati urafata ingingo ku matati ari hagati y'inzego ziserukira Reta zifise uruhara mu bikorwa vyerekeye ugutanga Amasoko ya Reta n'ibikorwa Reta yokoze ituma abandi washikirijwe, hisunzwe ibikurikizwa n'ikiringo bitegekanijwe mu ngingo ya 342 y'Igitabu c'Amategeko agenga Amasoko ya Reta.

**Agahimba ka 3 : Ibijanye n'Umugwi ujejwe gutanga ibihano**

**Ingingo ya 30 :**

Umugwi ujejwe gutanga ibihano ni Urwego ruri mu nzego zigize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera.

Umugwi ugizwe n'abantu batatu baba barimwo babiri baserukira ibisata vya Reta n'umwe aserukira igisata c'abikorera utwabo bagenwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera ikabatora mu bagize Inama.

Inama y'Umugwi ujejwe gutanga ibihano ikorana ari uko abayigize bose ariho bari.

Uwurongora Umugwi ni Icegera c'Umukuru w'Inama akaba atari we arongoye Umugwi ujejwe gutatura amatati.

**Article 31 :**
La Commission Disciplinaire a pour mission d'analyser et de statuer sur des cas de violation de la législation sur les marchés publics dont elle a connaissance par tous les moyens légaux contre des candidats, des soumissionnaires, ou des agents publics impliqués dans le processus des marchés publics.

La Commission Disciplinaire décide après avoir entendu les parties.

**Article 32 :**
L'Autorité de Régulation informe les autorités de tutelle compétentes des fautes commises par les agents de l'Etat à l'occasion de la passation des marchés publics.

Si les faits sont constitutifs d'infractions, l'Autorité de Régulation en informe les autorités judiciaires.

**Section 2 : De la Direction Générale**

**Article 33 :**
La Direction Générale est un de deux organes de l'Autorité de Régulation. Elle a sous sa coordination, trois Directions Techniques :

1. la Direction des Affaires Juridiques ;
2. la Direction de la Formation ;
3. la Direction des Statistiques.

**Paragraphe 1 : De l'organisation, des missions, des droits et des obligations de la Direction Générale**

**Article 34 :**
La Direction Générale est assurée par un Directeur Général nommé par décret pour un mandat de trois ans renouvelable une seule fois.

**Ingingo ya 31 :**
Umugwi ujejwe gutanga ibihano ushinzwe kwiheza n'ugufata ingingo kuri ivyo-vyose vyakozwe biciye kubiri n'amategeko agenga Amasoko ya Reta watohoje mu buryo bwose bwemewe n'amategeko vyakozwe n'abipfuza guhiganira isoko, abahiganira isoko, canke abakozi ba Reta bafise uruhara mu bikorwa vyerekeye Amasoko ya Reta.

Umugwi ujejwe gufata ibihano ufata ingingo ari uko umaze kwumviriza abafitaniye amatati.

**Ingingo ya 32 :**
Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ruramenyesha amakosa yakozwe n'abakozi ba Reta mw'itangwa ry'Amasoko ya Reta abategetsi abo bakozi bakukira babifitiye ububasha.

Iyo ivyakozwe bifatwa nk'ivyaha, Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rurabimenyesha abajejwe ubutungane.

**Agace ka 2 : Ibijanye n'Ubuyobozi Bukuru**

**Ingingo ya 33 :**
Ubuyobozi Bukuru ni rumwe mu nzego zibiri z'Urwego rujejwe gucungera. Ubwo buyobozi bujejwe gukurikiranira hafi ubuyobozi butatu bujejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko bukurikira :

1. Ubuyobozi bujejwe ivy'amategeko ;
2. Ubuyobozi bujejwe inyigisho ;
3. Ubuyobozi bujejwe gutororokanya ibiharuro.

**Agahimba ka 1 : Ingene Ubuyobozi Bukuru butunganijwe, imirimo yabwo, ivyo bufitiye ububasha n'ivyo butegerejwe**

**Ingingo ya 34 :**
Ubuyobozi Bukuru butunganywa n'Umuyobozi Mukuru agenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu akamara muri ayo mabanga ikiringo c'imyaka itatu gishobora kwisubiriza rimwe gusa.

En cas de vacance de poste de Directeur Général pour cause d'absence, de décès, de démission ou d'incapacité définitive à exercer ses fonctions, le Conseil de Régulation désigne un intérim choisi parmi les Directeurs Techniques de l'Autorité. L'Intérim ne peut dépasser six mois.

**Article 35 :**

Le Directeur Général a entre autres missions de :

1. assurer la préparation technique des dossiers à soumettre au Conseil de Régulation, assister en qualité de Secrétaire du Conseil avec voix déliberative et exécuter ses décisions ;

2. soumettre à l'adoption du Conseil de Régulation les projets d'organigramme, de Règlement d'Ordre Intérieur, ainsi que les projets de statut administratif et pécuniaire du personnel ;

3. soumettre à l'approbation du Conseil de Régulation le programme annuel d'activités de l'Autorité de Régulation, tout rapport d'activités exécutées dans le cadre des missions de l'Autorité, toute recommandation, projet de réglementation, document type, manuel de procédure, code d'éthique et de déontologie ;

4. préparer le budget dont il est l'ordonnateur principal, ainsi que les comptes et les états financiers qu'il soumet au Conseil de. Régulation pour approbation ;

Igihe ikibanza c'Umuyobozi Mukuru kigaragara kubera ugusiba ku kazi ata gituma, yapfuye, yatanze imihoho canke yamugaye ubutakivayo ntabe agishobora kurangura imirimo ashinzwe, Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera iragena mu Bayobozi bajejwe ubuhinga mu vyerekeye amasoko bo mu Rwego rujejwe ivyerekeye ugucungera uwuba ararangura ivy'imfatakibanza imirimo y'Umuyobozi Mukuru. Ikiringo uwuba yagenywe amara ntigishobora kurenza amezi atandatu.

**Ingingo ya 35 :**

Umuyobozi Mukuru ashinzwe cane cane imirimo ikurikira :

1. gutegura idosiye zijanye n'amasoko zishikirizwa Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera, kuja mu nama z'Inama ka munyamabanga w'Inama akaja no mu bafata ingingo akongera agashira mu ngiro ingingo zafashwe n'Inama ;

2. gushikiriza Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera integuro y'igicapo cerekana ingene Ubuyobozi Bukuru buringanijwe, integuro y'Amategeko Ntunganyabikorwa hamwe n'integuro y'Amategeko Ngenderwako y'abakozi n'imishahara yabo kugira ruvyemeze ;

3. gushikiriza Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera indinganizo y'ibikorwa vyo ku mwaka vy'Urwego rujejwe gucungera, icegeranyo ico ari co cose c'ivyaranguwe mu bijanye n'imirimo y'Urwego, ico ari co cose casabwe kurangurwa, integuro y'ingene amasoko yotunganywa, urwandiko rufatirwako, ibitabu bitanga intumbero mu bijanye n'amasoko, amategeko agenga akarangamutima kajanye n'imico myiza ;

4. gutegura amafaranga ategekanywa gukoreshwa akaba ari na we atanga uruhusha rw'ugusohora amafaranga hamwe n'ugutegura icegeranyo cerekana uko amakonte n'ikigega vyifashe akabishikiriza Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera kugira ivyemeze ;

5. recruter et licencier les membres du personnel sous contrat et fixer leurs rémunérations et avantages, sous réserve des prérogatives reconnues au Conseil de Régulation ;

6. engager administrativement et financièrement l'Autorité de Régulation sous réserve de l'approbation du Conseil de Régulation pour les acquisitions et contrats dont le montant est supérieur au seuil fixé par ledit Conseil ;

7. représenter l'Autorité de Régulation devant les instances administratives et judiciaires.

**Article 36 :**
La rémunération et les avantages divers du Directeur Général et ceux de l'ensemble du personnel sont fixés par le Conseil de Régulation et approuvés par le Ministre ayant les Finances dans ses attributions.

**Article 37 :**
Le Directeur Général peut déléguer sa signature ou partie de ses pouvoirs et attributions aux cadres des postes de direction. Dans ce cas, ils agissent sous le contrôle du Directeur Général.

**Article 38 :**
Le Directeur Général s'abstient de tout comportement de nature à nuire à l'Autorité de Régulation dont il est gestionnaire quotidien. En cas de manquement, il est responsable devant le Conseil de Régulation.

5. kwinjiza mu kazi no kwirukana abakozi bakorera ku masezerano y'akazi, no gushinga imishahara n'uturusho vyabo, hatirengag ijwe ububasha Inama ijejwe ivyerekeye ugucung era ifise ;

6. gufata ingingo mu vyerekeye intwaro n'amafaranga kw'izina ry'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ari uko bibanje kwemezwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera mu bijanye n'ukugura ibikoresho n'ukugira amasezerano bisaba amafaranga arengeye urugero rufatirwako rushingwa n'iyo Nama ;

7. guserukira Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera mu nzego zijejwe intwaro no mu zijejwe ubutungane.

**Ingingo ya 36 :**
Umushahara n'uturusho dutandukanye vy'Umuyobozi Mukuru n'ivy'abakozi bose bishingwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bikemezwa n'Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Reta.

**Ingingo ya 37 :**
Umuyobozi Mukuru arashobora guha abakozi bakuru bo mu Buyobozi ububasha bwo gushira umukono ku nzandiko mu kibanza ciwe canke kubaha ububasha bumwe bumwe bwiwe no kubashinga bimwe bimwe mu vyo ajejwe. Muri ico gihe, Umuyobozi mukuru arakurikirana ivyo bakora.

**Ingingo ya 38 :**
Umuyobozi Mukuru aririnda kugira inyifato iyo ariyo yose ishobora kubangamira ibikorwa vy'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera kandi ariwe ajejwe gutunganya imirimo yarwo ya minsi yose. Igihe atavyubahirije, abibazwa n'Inama ijejwe ivyereye ugucungera.

**Article 39 :**
Les fonctions de Directeur Général sont incompatibles avec toute relation directe ou indirecte d'intérêt avec les entreprises soumissionnaires des marchés publics.

En tout état de cause, il ne peut pas être dans une situation de conflit d'intérêts, par rapport à ses missions.

**Article 40 :**
Hors le cas où il est appelé à rendre témoignage devant la justice et celui où la loi les oblige à faire connaître ses secrets, le Directeur Général est tenu au secret professionnel pour les informations, faits, actes et renseignements dont il a connaissance dans l'exercice en raison de ses fonctions. Il est tenu de garder le secret de délibération et des décisions du Conseil de Régulation.

Il est également tenu dès son entrée en fonction et à la fin de celle-ci, de faire sur l'honneur, une déclaration adressée au Président de la Cour des Comptes de son patrimoine.

**Paragraphe 2 : Des services rattachés à la Direction Générale**

**Article 41 :**
Les services rattachés à la Direction Générale sont :

1. un Service de l'Assistant Administratif du Directeur Général ;
2. un Service Administratif et Financier.

**Article 42 :**
Le Service de l'Assistant Administratif du Directeur Général est chargé :

1. de l'enregistrement et de l'expédition du courrier confidentiel ;

**Ingingo ya 39 :**
Imirimo y'Umuyobozi Mukuru ntirangurwa n'umuntu afise inyungu ubwiwe canke biciye mu bundi buryo mu mashirahamwe ahiganira Amasoko ya Reta.

Uko biri kwose, ntashobora kugira inyungu zitabangikana n'iyo mirimo aba ashinzwe.

**Ingingo ya 40 :**
Kiretse iyo ahamagawe gusura muri sentare n'iyo amategeko amutegeka kumenyesha amabanga y'akazi afise, Umuyobozi Mukuru ategerezwa kugumya amabanga y'akazi mu bijanye n'inkuru, ivyabaye, ivyakozwe n'ivyo yatohoje ari mu kazi canke kubera amabanga ashinzwe.

Ategerezwa kandi, agitangura imirimo ashinzwe n'iyo ayirangije, gushikiriza mu kuri, urwandiko rwerekana amatungo yiwe Umukuru wa Sentare Icungera Amatungo ya Reta.

**Agahimba ka 2 : Ibijanye n'ibisata bikukira Ubuyobozi Bukuru**

**Ingingo ya 41:**
Ibisata bikukira Ubuyobozi Bukuru ni ibi bikurikira :

1. Igisata c'Umwunganizi mu vy'Intwaro c'Umuyobozi Mukuru ;
2. Igisata kijejwe ivy'Intwaro n'Ikigega.

**Ingingo ya 42 :**
Igisata c'umwunganizi mu vy'intwaro c'Umuyobozi Mukuru gishinzwe :

1. kwandika mu gitabu kibigenewe no kurungika amakete arimwo amabanga y'akazi ;

2. d'assister le Directeur Général en collaboration avec le Service Administratif et Financier dans la préparation des documents à soumettre à l'analyse du Conseil de Régulation ;
3. d'exécuter toutes autres tâches qui lui sont confiées par le Directeur Général en rapport avec les missions de l'Autorité de Régulation.

**Article 43 :**
Le Service Administratif et Financier est chargé :

1. de l'enregistrement, du traitement et de l'expédition du courrier relatif aux finances et qui lui sont déférés par la Direction Générale ;
2. de la gestion des ressources financières et du patrimoine, biens et équipements de l'Autorité de Régulation ;
3. de la préparation et de la production des états financiers ;
4. de la gestion du personnel de l'Autorité de Régulation ;
5. de la conservation des documents relatifs aux marchés passés par l'Autorité de Régulation ;
6. de l'exécution de toutes autres tâches qui lui sont confiées par le Directeur Général en rapport avec les missions de l'Autorité de Régulation.

**Paragraphe 3 : Des Directions Techniques**

**Article 44 :**
Dans l'exécution de ses missions, la Direction Générale de l'Autorité de Régulation est assistée par les Directions ci-après :

2. gufasha Umuyobozi Mukuru afadikanije n'Igisata kijejwe ivy'Intwaro n'Ikigega mu gutegura inzandiko zishikirizwa Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera kugira izihweze ;
3. gukora ibindi bikorwa vyose gihabwa n'Umuyobozi Mukuru bijanye n'imirimo y'Urwego rujejwe gucungera.

**Ingingo ya 43 :**
Igisata kijejwe ivy'Intwaro n'Ikigega gishinzwe :

1. kwandika mu gitabu kibigenewe, gutunganya no kurungika amakete y'akazi yerekeye amafaranga batumwa n'Ubuyobozi Bukuru ;
2. gutunganya ivyerekeye amafaranga n'ubutunzi, amatungo n'ibikoresho vy'Urwego rujejwe gucungera ;
3. gutegura no gutanga ivyegeranyo vyerekana ingene ikigega cifashe ;
4. gutunganya ivyerekeye abakozi b'Urwego rujejwe gucungera ;
5. gushingura inzandiko zerekeye amasoko yatanzwe n'Urwego rujejwe gucungera ;
6. gukora ibindi bikorwa vyose kiba gihabwa n'Umuyobozi Mukuru bijanye n'imirimo y'Urwego rujejwe gucungera.

**Agahimba ka 3 : Ibijanye n'Ubuyobozi bujejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko**

**Ingingo ya 44 :**
Mu kurangura imirimo bujejwe, Ubuyobozi Bukuru bw'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rufashwa n'Ubuyobozi bukurikira :

1. la Direction des Affaires Juridiques ;
2. la Direction de la Formation ;
3. la Direction des Statistiques.

L'organisation et les attributions des Directions Techniques sont déterminées par le Conseil de Régulation, sur proposition du Directeur Général.

**Article 45 :**
Chaque Direction Technique est placée sous l'autorité d'un Directeur.

Les Directeurs sont nommés par décret, après concours et sur proposition du Ministre ayant les Finances dans ses attributions, pour une durée de quatre ans renouvelable une fois.

**Article 46 :**
Chaque Direction Technique dispose d'un secrétariat administratif chargé de :

1. la réception et de l'enregistrement du courrier ;
2. la gestion du matériel et fournitures de bureau ;
3. de toutes autres tâches de secretariat lui confiées par le Directeur Technique.

## CHAPITRE IV : DES RESSOURCES HUMAINES ET FINANCIERES

### Section 1 : Des ressources humaines

**Article 47 :**
Le personnel de l'Autorité de Régulation bénéficie d'un statut propre approuvé par le Conseil de Régulation.

1. Ubuyobozi bujejwe ivyerekeye amategeko ;
2. Ubuyobozi bujejwe ivyerekeye inyigisho ;
3. Ubuyobozi bujejwe gutororokanya ibiharuro.

Ingene Ubuyobozi bujejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko butunganijwe n'imirimo yabwo bitomorwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bishikirijwe n'Umuyobozi Mukuru.

**Ingingo ya 45 :**
Ubuyobozi bujejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko bumwe bumwe bwose butwarwa n'Umuyobozi.

Abayobozi bagenwa n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu babanje guhiganwa bashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, bakamara ikiringo c'imyaka ine cisubiriza rimwe gusa.

**Ingingo ya 46 :**
Ubuyobozi bujejwe ivy'ubuhinga mu vyereye amasoko bumwe bumwe bwose burafise ibiro vy'abanyamabanga bishinzwe ibi bikurikira :

1. kwakira no kwandika mu gitabu kibigenewe amakete y'akazi ;
2. gutunganya ibikoresho n'ibindi bikoreshwa mu biro ;
3. gukora Ibindi bikorwa vyose vyerekeye abanyamabanga Umuyobozi ajejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye amasoko atumye ivyo biro.

## IGICE CA IV : IVYEREKEYE ABAKOZI N'IKIGEGA

### Agace ka 1 : Ibijanye n'abakozi

**Ingingo ya 47 :**
Abakozi b'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera bafise amategeko bisangije abagenga yemezwa n'Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera.

**Article 48 :**
Le personnel de l'Autorité de Régulation comprend le personnel contractuel et le personnel sous-statut.

**Article 49 :**
Pendant toute la durée de leur emploi, les fonctionnaires en détachement et les agents de l'Etat affectés à l'Autorité sont soumis aux textes régissant l'institution et à la législation du travail.

Toutefois, les fonctionnaires en détachement et les magistrats sont soumis en ce qui est de leur avancement de grade à leurs statuts d'origine.

Excepté le personnel détaché de l'Autorité de Régulation, le reste du personnel est recruté sur concours.

**Section 2 : Des ressources financières**

**Article 50 :**
Les ressources de l'Autorité de Régulation sont constituées par :

1. des subsides de l'Etat ;
2. les produits des rémunérations des prestations rendues aux intervenants dans le système des marchés publics ;
3. des produits de vente au secteur privé provenant notamment des publications de l'ARMP, des revenus générés par la publicité sur le site internet ;
4. d'un pourcentage du montant hors taxes des marchés publics ;
5. les dons et legs ;
6. les contributions ou subventions exceptionnelles d'organismes internationaux ;
7. toute ressource autorisée par la législation en vigueur.

**Ingingo ya 48 :**
Abakozi b'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera bagizwe n'abakozi bakorera ku masezerano y'akazi n'abakozi bakorera ku mategeko agenga abakozi bo muri ico kigo.

**Ingingo ya 49 :**
Mu kiringo cose bamara mu kazi, abakozi ba Reta bakuru bakuru n'abakozi ba Reta batoyi barungitswe gukora muri urwo Rwego bagengwa n'amategeko agenga Urwego hamwe n'amategeko a genga akazi.

Ariko, abakozi ba Reta bakuru bakuru n'abacamanza bagengwa, mu bijanye n'ukuduzwa amapete mu kazi, n'amategeko ngenderwako y'iyo baje bava.

Kiretse abakozi barungitswe gukora mu Rwego rujejwe ivyerekeye ugucungera, abandi bakozi b'Urwego binjizwa mu kazi babanje guhig anwa.

**Agace ka 2 : Ahava amafaranga y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera**

**Ingingo ya 50 :**
Amafaranga y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ava muri ibi bikurikira :

1. imfashanyo za Reta ;
2. amafaranga arihwa ku vyakorewe abakorana n'Urwego mubijanye n'Amasoko ya Reta ;
3. amafaranga ava nko munzandiko n'ibitabu bisohorwa n'Urwego rujejwe gucungera ivyerekeye Amasoko ya Reta vyagurishijwe ku bikorera utwabo n'ayava mu vyo rumenyekanisha ku rubuga ngurukanabumenyi ;
4. ibice kw'ijana vy'amafaranga Amasoko ya Reta atwara amatagisi atarakurwamwo ;
5. ingabire n'ibisigi ;
6. interera no canke imfashanyo zidasanzwe z'amashirahamwe mpuzamakungu ;
7. uburyo bwose bwemewe n'amategeko asanzwe akurikizwa.

**Article 51 :**
La gestion financière et comptable de l'Autorité de Régulation obéit aux règles du plan comptable national.

**Article 52 :**
Le budget de l'Autorité de Régulation prévoit et autorise des recettes et des dépenses et en détermine la nature des besoins. Il est préparé par le Directeur Général qui le soumet au Conseil de Régulation pour examen et approbation au plus tard deux mois avant la fin de l'année budgétaire en cours.

**Article 53 :**
Le contrôle externe de la gestion de l'Autorité de Régulation est assuré par un collège de Commissaires aux comptes au moyen d'un audit exécuté par un Commissaire aux comptes.

**Article 54 :**
Les Commissaires aux comptes sont recrutés sur concours pour une durée deux ans non renouvlable.

Ils adressent leur rapport directement au Conseil de Régulation et aux membres du Conseil de Régulation avec copie au Directeur Général de l'Autorité de Régulation.

**Article 55 :**
Les comptes de l'Autorité de Régulation sont audités une fois par an par un Cabinet d'audit sélectionné par voie d'appel d'offres.

**Article 56 :**
Le Cabinet d'audit devra adresser son rapport au Conseil de Régulation avec copie au Directeur Général de l'Autorité de Régulation. L'ARMP est également soumise à la vérification des organes de contrôle de l'Etat.

**Ingingo ya 51 :**
Igikorwa c'ugutunganya amafaranga y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera n'uguharura amafaranga yinjira n'ayasohoka kirangurwa hubahirijwe ibitegekanijwe mu Gitabu c'amategeko aringaniza ikoreshwa ry'amafarang a mu gihugu.

**Ingingo ya 52 :**
Mu mafaranga Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera rutegekanya gukoresha harashirwamwo kandi hagategekanywa ko hagira amafaranga yinjira n'ayasohoka hakongera hagatomora ubwoko bw'ibikenewe. Integuro y'ayo mafaranga igirwa n'Umuyobozi mukuru akayishikiriza Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera kugira iyihweze yongere iyemeze hasigaye amezi atarenga abiri imbere y'uwo mwaka amafaranga ategekanywa gukoreshwamwo urangire.

**Ingingo ya 53 :**
Igikorwa c'ugusuzuma ingene Urwego rukoresha amafaranga kigirwa n'abadakora muri urwo rwego kirangurwa n'umugwi w'Abagenduzi b'amakonte bafatiye ku cegeranyo cagizwe n'Umugenduzi w'amakonte wo mu rwego.

**Ingingo ya 54 :**
Abagenduzi b'amakonte bahabwa ako kazi babanje gukora ikibazo, bakamara ikiringo c'imyaka ibiri kidashobora kwisubiriza.

Bashikiriza icegeranyo cabo ata wundi biciyeko Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera n'abagize Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera bagaha ikopi y'ico cegeranyo Umuyobozi Mukuru w'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera.

**Ingingo ya 55 :**
Amakonte y'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera asuzumwa rimwe ku mwaka n'Ibiro vy'abasuzumyi b'amakonte bigenga bitorwa biciye mw'itangazo rihamagarira guhiganira iryo soko.

**Ingingo ya 56 :**
Ibiro vy'abasuzumyi b'amakonte bigenga bitegerezwa gushikiriza icegeranyo cavyo Inama ijejwe ivyerekeye ugucungera, ikopi y'ico cegeranyo igahabwa Umuyobozi Mukuru w'Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera. Urwego rujejwe ivyerekeye ugucungera ruragirirwa isuzuma kandi n'inzego za Reta zijejwe isuzuma.

## CHAPITRE V : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

**Article 57 :**
Les dispositions de l'article 45 ne s'appliquent pas aux Directeurs Techniques en fonction.

**Article 58 :**
Le Ministre ayant les Finances dans ses attributions est chargé de l'application du présent décret.

**Article 59 :**
Le présent décret entre en vigueur le jour de sa signature.

Fait à Gitega, le 27 avril 2022

Evariste NDAYISHIMIYE.-

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

LE PREMIER MINISTRE,

Alain-Guillaume BUNYONI
Général de Police.

LE MINISTRE DES FINANCES, DU BUDGET ET DE LA PLANIFICATION ECONOMIQUE,

Dr. Domitien NDIHOKUBWAYO.

## IGICE CA V: INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

**Ingingo ya 57 :**
Ibitegekanijwe mu ngingo ya 45 ntibikurikizwa ku Bayobozi bajejwe ivy'ubuhinga mu vyerekeye Amasoko basanzwe bari muri ayo mabanga gushika ikiringo cabo batanguye hubahirijwe amategeko ariko arasubirwamwo kirangiye.

**Ingingo ya 58 :**
Umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Reta, niwe ashinzwe ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko.

**Ingingo ya 59 :**
Iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva umunsi rishiriweko umukono.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 27 Ndamukiza 2022

NDAYISHIMIYE Evariste.-

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

UMUSHIKIRANGANJI WA MBERE,

BUNYONI Alain-Guillaume
Jenerali mu Gipolisi.

UMUSHIKIRANGANJI W'IKIGEGA CA RETA, NO GUTUNGANYA UBUTUNZI BW' IGIHUGU,

Dr. NDIHOKUBWAYO Domitien.